Coptic Orthodox Patriarchate
His Holiness Pope Tawadros II
Pope of Alexandria and
Patriarch of the See of St. Mark
The Papal Center

بطريركية الأقباط الأرثوذكس
قداسة البابا الأنبا تواضروس الثاني
بابا الأسكندرية
وبطريرك الكرازة المرقسية
المقر البابوي

222 Ramses St., Abbaseya, Cairo, Egypt
222 شارع رمسيس ، العباسية ، القاهرة ، مصر
Tel: 024822580 Fax: 0235365880 email: office@popetawadros.org
تليفون: 024822580 فاكس: 0235365880

Burundi – Resurrection 2026

Kw'izina rya Data,ni rya mwana, ni rya mutima-Mweranda, Imana imwe. Amen.

Ekhristos anesti … Alithos anesti. Kristu yazutse… N' ukuri, yazutse.

Ndabakeje n'igishika ,bakundwa, mu mashengero yacu yose ya Coptes Orthodoxes, mu mashengero y'ababikira n'ibigo vy'abihebeye Imana, hirya no hino kw'isi yose, ku bw'ikigihe c'umusi mukuru uhambaye w'Izuka rya Yezu Kristu muri uyu mwaka wa 2026, Ndabaramukije abungere: abametropoliti, abepisikopi, n'abahigumeni, n'abasaserdoti, hamwe n'abadiyakoni n'abavyeyi b'ishikanwa. Ndakeje urwaruka n'abasuku b'umukama. Ndakeje urwarukan'abageze mu zabukuru. Ndakeje umuryango w'abakristu wose ufasha muri bur'igikorwa cose cishengero rya Copte Orthodoxe. mu mashengero yacu, mu mazu y'ababikira, nay'abihebeye Imana, no mu madiyoseze yacu. Ndabakeje mwese ku bw'iki gihe c'umusi Mukuru w'Izuka. Uyu musi mukuru, ari na wo kanyamunezaw'akanyamuneza kose, n'umusi mukuru w'imisi mikuru yose, ni wo koko mushinge w'ubukristu bwacu. Kuko iyo hataba Izuka rya Kristu, ntitwari kuba tumuhimbaza nk'Umukiza n'Umucunguzi w'abantu bose.

Turi mu bihe vyuzuyemo imidyane n'intambara — imidyane isenyuraamahanga n'ibihugu, ikonona ubuzima bw'abantu n'imiryango, ugakora kuri buri rugo mu bice vyose vy'isi. Gutyo rero, kubw'izuka ry'umukama wacu Yezu Kristu, turondera ico tubura — kuko isi y'uyu musi ibura icizigiro. Ni gute umuntu ashobora kugira icizigiro? Ni gute umuntu ashobora kuronka icizigiro muri ubu buzima, bwuzuyemo amakuru ateye ubwoba mu gitondo no ku mugoroba? Turondera ico cizigiro mw' izuka ry'umukama Yezu Kristu, Dufata Izuka nk'ubutumwa bw'icizigiro kuri buri muntu muri twebwe — kuri buri muntu wese ahimbarwa n'ukwemerakwiwe m'umukama Yezu Kristu.

Igihe turondera ico cizigiro, dusanga kirimwo ibice bitatu: bitwigisha ingene twobaho dufise icizigiro dusanga mw' izuka ry'umukama Yezu Kristu.

Mw’izuka ry’umukama Yezu Kristu, Ubwa mbere na mbere, turi abahamagarwa kwikorera icizigiro. Umuntu azukanye na Kristu aba uwutwaye icizigiro — mu majambo yiwe, mu buzima bwiwe, mu mvugo yiwe, mw’ihangiro ryiwe, mu kwibaza kwiwe no mu kanyamunezak’imbere mu mutima wiwe. Yikorera icizigiro iyo aravye Kristu yazutse, ugasangamwo ubutumwa bukomeye: yuko isi ikiragijwe n'ukuboko kw'Imana. Igihe Umukama Kristu yazuka mu gaturuturu ko ku wa mungu, abagore batwaye imibavu berekeza ku mva kare cane, bari bafise amaganya bibaza uwuzotembagaza rya buye. Ico kibazo cari kibahanze, nk’aho bibaza bati: Hariho icizigiro muri wa wundi yapfuye — Wa wundi yabambwehashize imisi itatu? Hariho icizigiro? Gutyo rero, igihe umumarayika yabonekera abo bagore, yarababwiye ati: « Gende mwihuse, mumbwirire abigishwa biwe. » (Matayo 28:7) Gutyo rero, baciye baba abashikiriza b'ubutumwa bukomeye bw'icizigiro. Ubu butumwa bwarahinduye abo bagore, bubavura ubwoba bubahindura abamenyesha butumwa bashikirije inkuru y'Izuka abigishwa — Eka na twebwe nyene.

Igice ca kabiri ni iki: umuntu ntakwire gusa kuba uwutwaye icizigiro Ariko kandi aben’uwuremesha icizigiro — umuntu abiba icizigiro mu mitima y’abandi. Ivyo bishobora gukorwa mu kuvuga ijambo ryo kuremesha, mu gukora igikorwa c'urukundo, canke mu kugendera umuntu, canke mu kuremesha biciye kuri terefone — biba icizigiro. Amajambo yanyu yose akwiye kuba yuzuye icizigiro — icizigiro mu buzima. Abigishwa babiri bari mu nzira ijana muri Emmausi bariko berekeza muri ico kirwati c’i Emmausi, Ikirwati kitari kure y’i Yeruzalemu. Igihe bari mu nzira, umugenzi arababonekera, atangura kuyaga nabo, bagira ngo niumunyamahanga. Bayaze nawe, ariko ntibamumenya. Ikiyago cabo cose cari cuzuyemo ibibazo: Vyagenze gute? Ni iyihe iyo nkuru? Abigishwa baravuga ko wa wundi yabambwa yazutse! Inkuru zivuguruza zari zibashikiye zivuye impande zose, ariko igihe uwo mugenzi yabashikira akabayagira, batanguye kwumva ikintumu mishaha yabo, naho batari bwashobore kugisigura. Ariko bamaze gushika aho baja, akamanyura umukate, amaso yabo aca arahumuka,maze bavuga bati: «Mbe umushaha wacu ntiwari uriko urasha mu nda yacu?» (Luka 24:32) Bumva ikintu mu mishaha yabo, nk’aho Kristu — uwo mugenzi batari bazi — yari yabashizemwoicizigiro, akongera akagitsimbataza mu buzima bwabo. Gutyo nyene, mwebwe bakundwa, mukwiye gushinga icizigiro mu miryango yanyu — hamwe n’uwo mwubakanye, hamwe n’abahungu banyun’abakobwa banyu. Hamwe na mwebwe, basuku, mu nzego zose z’ubusuku bwanyu. Na mwebwe basaserdoti, mu gihe muriko murasenga, no mu gihe muriko murashikiriza ijambo ry'Imana, mu gihe muriko muragendera ingo, no mu gihe muriko muritwararika abandi — mushinge icizigiro. Ntimukifatanya n’amajambo y’abo bantu bavuga gusaibijanye n’ingorane, y’ingwano canke y’amakuru mabi — ahubwo mwebwe nimushinge icizigiro.

Gutyo rero: imbere ya vyose, mube abashikiriza b’icizigiro.

Ubwa kabiri, mube abaremesha b’icizigiro.

Ubwa gatatu, mube abamenyesha-b’icizigiro.

Kuko inyigisho y'ijambo ry'Imana, mu ncamake yayo, ni ugushikiriza ubutumwa bw’akanyamuneza — Izuka rya Kristu. Ijambo «Evangile» risobanura inkuru nziza — inkuru z’akanyamuneza, canke, nk’uko tubivuga mu congereza, «good news» — inkuru zishikiriza icizigiro biciye mw’izuka rya Kristu. Mumaze gushinga icizigiro mu b’abakikuje, mube abamenyesha-icizigiro ku bantu bose mw'isi yose. Abigishwa bari bafise ubwoba bwinshi, kandi cacumba co hejuru cari cugaye, cugajwe n’urufunguruzo, kandi ubwoba bwari bwabuzuye. Ariko igihe Kristu yabonekahagati yabo akababwira ati, « Amahoro abe muri mwebwe », maze abigishwa baranezerwa babonye Umukama (Yohani 20:20). Iyo yari ishusho nziza cane. Abo bari bafise ubwoba inyuma y’Umusaraba, igihe Kristu yaboneka muri bo akabaha amahoro,... barakiriye ayo mahoro maze bashikirizaakanyamuneza n’icizigiro mw’isi yose, bacika abamenyesha-butumwa ku muryango w’abantu bose. Kristu akababwira ati:«Gende mw'isi yose, mumenyeshe Inkuru Nziza ikiremwa cose.» Gutyo rero, abigishwa bacika abashikirizab’icizigiro. Igihe basohoka i Yeruzalemu inyuma y’ukuza k’Umutima Mweranda kandi n’Iduga mw’ijuru ry’Umukama Yezu Kristu, bacitse abamenyesha-butumwa — bashikiriza Kristu yazutse mu bantu bose: Kristu akiza igicumuro cose, niwe Kristu Umucunguzi, uwo amaraso yiwe yeza igicumuro cose mu buzima bw'umuntu wese.

Mu gusozera, bakundwa, mu gihe muriko muhimbaza Umusi Mukuru w'Izuka, mube abashikiriza b’ico cizigiro, abaremesha b’ico cizigiro, kandi mube abamenyesha-icizigiro mu buzima bwanyu. Ivyo bibe akarorero k'ubuzima bwanyu bwose— akanyamuneza k'Izuka.

Turasengera bose, aho bari hose, ngo bahimbarwe n’Izuka ry’Umukama Kristu — atari gusa nk’inkuru, ariko nk’ikintu gishika mu buzima bwa minsi yose. Nk’uko dusenga mu mw’isengesho ryo kuninahaza Imana ryo mugicugu : « Nimuvyuke, mwa bana b’umuco, dushemezeUmukama w’ingabo. » Abana b’umuco ni abana b’izuka. Nsubire kandi, nshimire abakundwa bose bo mu Mashengero yacu y’Aba copte abahimbaza uyu musi Mukuru w’Izuka. ndashimiye bose, kandi turasaba ngo isi yose ikwiremwo ubutumwa bw’amahoro, ubutumwa bw’urukundo n’ubutumwa bw’icizigiro. Turasenga kugira Imana ikingire ahantu hose ikibi n’intambara, kandi itange inkomezi, ubwenge n'ugutandukanya iciza n'ikibi, kandi n’ingingo iranga ubukerebutsi ku murongozi wese, aho ari hose.

Turabarungikiye urukundo n'ivyishimo vyacu bivuye mu gihugu ca Misiri, bivuye mw'isengero nkuru ya y'umweranda Mariko muri Abbassiya, i Kayiro. Turabarungikiye urukundo rwa bose hano muri Misiri kandi mu karere kose k'ivuga butumwa k' Mariko.

Ekhristos anesti … Alithosanesti. Kristu yazutse! Ni ivy'ukuri, yazutse!

Pamadra II